# 164: Yes' avukiy' i Betelehemu

1. Yes' avukiy' i Betelehemu,
Bamuryamika mu bgato bg'inka;
N' umunyembabazi nyinshi cane
N’ Umukunzi wacu. t/mv' uko yadukunze,

Ref: Umv' uko yadukunze,
N' umunyembabazi nyinshi cane,
N' Umukunzi wacu.

2. Yesu yancunguriye ku giti,
Kand' abohor' umutima wanje,
N' umunyarukundo runtangaza.
Ni je yapfiriye.

Ref: Ni jewe yapfiriye,
Nijewe yapfiriye,
N' umunyarukundo runtangaza
Ni je yapfiriye.

3. Abazimiy' arabarondera,
Abahamagar' adahumeka;
Mwumv' ,ijwi ryiwe mwa banyavyaha,
Arahamagara.

Ref: A rabahamagara,
Arabahamagara,
Mwumv' ijwi ryiwe mwa banyavyaha,
Arahamagara.

4. Abacunguwe n' urwo rukundo,
Ntidusubire mu bicumuro,
Uwamana na vyo ntiyokizwa,

Aduha kunesha.

5. Aduha kubinesha,
Aduha kubinesha,
Uwamana n' ivyaha ntakizwa,
Aduha kunesha.

6. Yes' azogaruk' atujan' iwe,
Tugumane na w' imisi yose,
Kuko yabisezeranye natwe,
Agir' agaruke.

Ref: Azogaruka vuba, Azogaruka vuba, Kuko yabisezeranye natwe. Agir' agaruke.

Visit us at burundi.indirimbo.com